Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Imana igerageza urukundo rwa Aburahamu

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Ijoro rimwe, Imana iha
Aburahamu itegeko
ritanganje. Cari igipimo
kugira ngo Imana irabe
ko Aburahamu akunda
umwana wiwe gusumba
uko akunda Imana.


"Fata umwana wawe Isaka umunshikanire ambere ikimazi" Imana iramutegeka. Gutanga Isaka? Gutanga umwana wiwe ngo abe ikimazi? Vyari bigoye cane kuri Aburahamu. Yarakunda cane umwana wiwe.

Ariko Aburahamu yari yarize kwumvira
Imana no mugihe ataba atahura ivyo
Imana imubariye. Mugatondo,
afata inzira aja k'umusozi aho
yaja gutangira umwana wiwe
ngo abe ikimazi
arikumwe na
Isaka n'abasavyi

biwe
babiri.



Imbere yo kugenda,
Aburahamu atekera inkwi
zo gucana kugicaniro
yatangirako ikimazi.
Aburahamu yari afise
intumbero yo kwumvira
Imana.




Haheze imisi itatu, igihe yariko aregereza gushika k'umusozi, Aburahamu abarira abasavyi biwe ati: "Sigara ngaha".

Isaka na jewe turagenda dushike hariya kugira ngo dutazire Imana hanyuma tuzogaruka tubarabe. Isaka yikorera inkwi Aburahamu nawe yakira amakara yo
kudomeka umuriro hamwe n'imbugita.


“Umwagazi dutangako ikimazi uri hehe?” Isaka abaza se wiwe. “Imana iraduha yonyene umwagazi” Aburahamu yishura Isaka.

Aba babiri bompi bashika mukibanza Imana yari yatoye. Aburahamu yubaka igicaniro hanyuma ashirako zankwi ngo ahe ikimazi Imana. Aburahamu yari yarubatse ibicaniro vyishi imbere y'uko ibi bishika ariko iki coco cabaye ikigoye cane kubaka.

Aburahamu aboha isaka hanyuma aryamika umuhungu wiwe akunda cane kuri ca gicaniro. Aburahamu yoba yagira yumvire Imana mugutanga Isaka umwana wiwe umwe gusa yari afise kandi yakunda cane?





Ego! Ubugi bw'imbugita bwarakayanganye igihe Aburahamu yayiduza hejuru agira akererere umwana wiwe. Umutima wiwe wari ubabaye cane ariko Aburahamu yari aziko ategerezwa kwumvira Imana.


"Geza aho"
Umumalayika
w'Imana
avuga cane.
"Ubu menye
ko wubaha
Imana kuko
utanyimye
umwana wawe
kandi ari
ikinege".

Yitegereje abona
impfizi y'intama mugisaka,
Aburahamu abohora Isaka
maze atanga iyo ntama iba
ikimazi mukibanza
ca Isaka.

Birashoboka ko
Isaka yibajije ati:
“Imana yatanze
umwagazi nk’uko
papa yari yabivuze.”

Igihe se n'umwana bariko batazira Imana,
umumarayika yasubiriye kubwira Aburahamu
ati: "Amahanga yose yo kw'isi azoherwa umugisha
m'uruvyaro rwawe kuko wanyumviye."
Haheze igihe kirekire, Yesu aravuka
m'uruvyaro rwa Aburahamu.

Aburahamu na Isaka basubira iwabo. Haheze igihe, umubabaro urinjira, Sara arapfa. Aburahamu yari abuze umukenyezi wiwe Isaka nawe yari abuze nyina wiwe.



Bamaze guhamba
Sara, Aburahamu
atuma umusavyi mukuru
mubasavyi biwe ngo aje
kuronderera umukenyezi Isaka.

Uwo musavyi
asubira mugihugu cabo
c'amavukiro kugira ngo
aronke umukenyezi wa isaka
mubasangiye umuryango na Aburahamu.



Uwo musavyi asaba Imana ikimenyetso. "Umukenyezi aza guha amazi ingamiya zanje aza kuba ariwe wateguriye Isaka." Ubwo nyene Rebeka aca aha amazi yo kunywa ingamiya za nyamusavyi. Yava m'umuryango umwe na Aburahamu. Wa musavyi aca amenya ko Imana imwishuye kuri rya sengeho ryiwe.

Rebeka ava m'umuryango wiwe aja kubana na Isaka. Bahozwa umubabaro batewe n'urupfu rwa nyina wiwe. Isaka akunda cane Rebeka.

Imana igerageza urukundo rwa Aburahamu

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 22-24

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16